**YF Quiz-KIR 51-0503 Nk'Uko Nabanye na Mose / Nzero 2026**

**Izina____________________________________**

1) Ni kuki Mwene Data Branham yashitse atevye mu gikorane ?
   a) Yari kw'itelefone yo ku bitaro
   b) Ntiyumva ameze neza cane
   c) Yari yatebejwe n'imodoka nyinshi mw'ibarabara
   d) Yariko arasenga kandi ntiyashobora kubireka

2) Hariho umuntu mw'ikoraniro yariko arazunguza ukuboko kwiwe kandi ashinga intahe y'ugukira kwiwe. Mbega yari yakize iki ?
   a) Ukuboko kwadadaraye
   b) Amaguru yamugaye
   c) Indwara y'umutima
   d) Ikivyimba co mu bwonko

3) Umukenguzamateka, Mwene Data Upshway, yari amaze igihe kingana gute amugaye ?
   a) Amezi atandatu
   b) Imyaka mirongo ibiri n'itanu
   c) Imyaka mirongo itandatu n'itandatu
   d) Imyaka indwi

4) Ukwizera kutagira________________ kwarapfuye."
   a) Amashimwe
   b) Inyishu
   c) Ubwenge
   d) Ibikorwa

5) Ni ryati ideni ry'icaha n'indwara ryarihwa, n'ibigize icaha vyose ?
   a) Igihe Yesu Yaduga hejuru maze Atanga ingabire ku muntu
   b) Igihe Yesu Yariko Arasenga mw'Itongo rya Getsemane
   c) Igihe Yesu Yapfira i Kaluvariyo
   d) Igihe Yesu Yazuka mu bapfuye

6) Namba ufise intege nke wavukanye zavuye ku ndwara warazwe n'abantu bawe kera biciye mu runganwe, Amaraso ya Yesu Kristo Yabitangiye impongano kuri Kaluvariyo, ufise uburenganzira bwo kuvyemera no gukira.
   a) Nivyo
   b) Sivyo

7) "Rero, Yicaye iburyo bwa Data, kugira Agire ubuhuza ku kwatura kwacu. Murabona, dutegerezwa ______________________________ kandi Ari imbere ya Data kugira Aroranye neza ikintu cose twatura, mu mihezagiro y'ugucungurwa, ata nkeka."
   a) Kuvyizera
   b) Kuvyemera
   c) Kuvyatura
   d) Ivyo vyose biri hejuru

8) Ijambo Ry'Imana Rizonesha Satani aho ari ho hose, ikibanza cose, igihe cose, no mu bihe vyose.
   a) Nivyo
   b) Sivyo

9) Mu ntambara yiWe ya mbere na Satani, Yesu Yamutsinze gute ku mugaragaro n'inkomezi ziWe zose ?
   a) N'Ijambo Ry'Imana
   b) N'ukumwirukana
   c) N'ukuvuga mu ndimi
   d) N'ingabire yo gukiza indwara

10) Mbega Mwene Data Branham yari azi ko abatizera n'abanegura bari ng'aho ?
   a) Ego
   b) Oya

11) Ahantu hose ___________________________ Ndahababahaye nk'uko Nabariye Mose.
   a) Muzokandagiza ikirenge
   b) Amaso yanyu azoraba
   c) Abantu bawe bazogerera
   d) Uzorambika umutwe wawe kugirango uzinsire

12) Ibiri muri ico gitabo c'ivyagezwe ntuze ubikure mu __________________ ; ariko uze wame ubirimbura __________________, kugirang'ubone kwitondera ivyanditswemwo vyose ; niho ivyawe bizogenda neza, ukagira ___________"
   a) Umutima wawe/ mu gitondo n'agaturuturu/Ugucungurwa kwuzuye
   b) Ivyiyumviro vyawe/ku mugoroba n'umuhingamo/Amahirwe
   c) Akanwa kawe/ku murango no mw'ijoro/Kuroranirwa neza
   d) Ubwenge bwawe/Gushika ku mutaga/ Uguterimbere kuramba

13) Ndashaka ko muza maze mundeke ndabasengere. Kuko Yambwiye ko ninasengera abarwaye, hanyuma ngasenga bivuye ku mutima, nkanabatuma______________, ko ata kintu na kimwe kizohagarara imbere y'isengesho.
   a) Baja kw'ishengero
   b) Banyizera
   c) Biga Bibiliya
   d) Babaho neza

14) Ni nde yemeye inkuru zacu ? Kandi ukuboko kw'Uhoraho kwahishuriwe nde ? »
   a) Yesaya 35
   b) Yesaya 53
   c) Zekariya 14
   d) Zaburi 1

15) Mbega umugore wambere yaje kuri alutari yaratangaye igihe Mwene Data Branham yahamagara ikarata yiwe ?
   a) Ego, kuko yari uwanyuma mu murongo
   b) Oya, kuko yari yabisengeye

16) "Ariko ubushobozi bw'Imana, biciye muri Mpwemu ya _________________ burazi ibintu utazi biri mu bwenge bwawe."
   a) Umuvugishwa
   b) Umwungere
   c) Umwigisha
   d) Umuvugabutumwa

17) Mu gihe abantu baca mu murongo w'amasengesho, ni iyihe ndirimbo Mwene Data Branham yashaka ko iguma ivuga kuri piano ?
   a) Ndashobora, Nzobikora, Ndizeye
   b) Yesu Ngumiza hafi y'Umusaraba
   c) Hariho Isoko Ryuzuye Amaraso
   d) Muganga Mwiza ni Kristo

18) Ni igiki cabaye kuri urya mugore yaciye mu murongo w'amasengesho yashinze intahe y'ugukira kwiwe ?
   a) Yari igipfamatwi kandi ntiyashobora kwumva
   b) Yari amugaye kandi ntiyashobora gutambuka
   c) Yari impumyi aca aronka ukubona kwiwe
   d) Yari ikiragi kandi ntiyashobora kuvuga

19) "Yooo, Mana Weee ! Ikintu cose gishobora gushika. Bantu mwe, mube_____________ ubu. Sindi mu bishobisho, ariko ndazi Uwo nizeye. Mwizere n'umutima wanyu wose."
   a) Abiteze
   b) Abazi Imana
   c) Abubaha
   d) Imvugakuri

20) Hariho mushikiwacu Mwene Data Branham yavuze ko yari "umuntu yiyumvira rwose." Yari afise uruhagarara bigatuma agira aside mu maraso yiwe navyo vyamuteye iki ?
   a) Igituntu
   b) Kanseri yo mu maraso
   c) Muhekenyi
   d) Umusonga